REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta

# ITANGAZO N°04/2025 RY'INAMA IDASANZWE Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 16 NDAMUKIZA 2025

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 16 Ndamukiza 2025, mu nama idasanzwe i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye ku magenekerezo ya 14 na 15 Ndamukiza 2025, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

Icihwejwe rero muri iyo nama idasanzwe y'abashikiranganji ni kimwe gusa ari co :



**Integuro y'ibwirizwa rishinga amafaranga igihugu gitegekanya gukoresha mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026,**

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta, ubutunzi, no gutunganya imigambi

Iyi nteguro y'amafaranga igihugu kizokoresha mu mwaka wa 2025 ushira uwa 2026 yatunganijwe mu gihe ibijanye n'ubutunzi kw'isi bisa n'ibiriko biracumbagira, ibisabwa ku bijanye n'imitahe n'amadeni na vyo bigakazwa cane, hamwe n'intambara zibandanya kwibonekeza hagati y'ibihugu, ivyo na vyo bikagira ingaruka ku butunzi bw'igihugu cacu muri rusangi.

Iyi nteguro yatunganijwe kandi mu ntumbero yo kunagura ubutunzi bw'igihugu no kubandanya ishirwa mu ngiro ry'impinyanyuro nshasha z'ingene amafaranga y'igihugu akoreshwa, kugira ngo uburyo bwose butegekanywa buzane umwimbu nk'uko bitegekanywa n'ibwirizwa ritunganya ikoreshwa ry'amafaranga y'igihugu.

Iyi nteguro ije gushimangira kandi ivyashitsweko n'indinganizo nshasha ikurikizwa muri iki gihe aho uburyo bujana n'umugambi urangurwa. Yateguwe kandi hisunzwe igitabu gitunganya uburyo buzokoreshwa ku myaka itatu, na co kikaba kiza gushira mu ngiro Umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere wahinyanyuwe, na wo ubwawo ukaba watunganijwe hisunzwe imbonakazoza y'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060.

Uburyo butegekanywa mu mwaka wa 2025/2026 bwateguwe hafatiwe ku biharuro vyerekana ko ubutunzi buzokwiyongera ku rugero rw'ivy'ijana bine n'uduce dutandatu (4,6%) mu gihe mu mwaka wa 2024/2025 ivyo biharuro biri ku rugero rw'ivy'ijana bitatu n'uduce icenda (3,9%), mu gihe kandi bitegekanywa ko mu mwaka wa 2026/2027 bizoba biri ku rugero rw'ivy'ijana bitanu n'uduce dutandatu (5,6%).

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

REPUBURIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta

Iryo terambere ry'ubutunzi rizova ku ngingo Reta yafashe mu ntumbero yo kubandanya ishirwa mu ngiro ry'imigambi minini minini itegekanijwe n'umugambi mukuru w'igihugu w'iterambere nko kugwiza umwimbu mu bijanye n'uburimyi biciye mu kuvomera imirima, kugwiza ibiterwa njabukamazi, kuduza umwimbu mu gisata c'ubutare, kwubaka ibarabara ry'indarayi, n'ibindi.

Muri iyi nteguro rero, hariho ingingo zimwezimwe zahinyanyuwe ugereranije n'iziri mw'ibwirizwa rihari ubu, harinjizwamwo n'izindi nshasha mu ntumbero yo gucungera no kuduza urugero rw'amafaranga yinjira mu kigega ca Reta mu kwagura uburonderero no mu kurwanya inyuruzwa ryayo, hamwe rero no gukoresha neza amafaranga ya Reta.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, ariko ica ishiraho umugwi uzoja mw'ido n'ido ry'ibikorwa bitegekanywa mu bushikiranganji butandukanye canecane mu bijanye n'inyubako, kugirango hashirwe imbere izimaze gutangura kwubakwa, hanyuma ku bijanye na bishasha bitegekanywa, hagumizwemwo ivyihutirwa bibonekako ko bitorindira umwaka ukwirikira. Ivyo ni mu ntumbero yo kugabanura igihengeri ku rugero ruboneka.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 17 Ndamukiza 2025



**Umunyamabanga mukuru wa Reta**
**Jérôme NIYONZIMA. -**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU SECRETAIRE GENERAL DE L'ETAT
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi